REPUBLIQUE DU BURUNDI	REPUBURIKA Y'UBURUNDI
MINISTERE DE LA DEFENSE NATIONALE ET DES ANCIENS COMBATTANTS	**UBUSHIKIRANGANJI BW'UKWIVUNA ABANSI N'UKWITAHO ABAHOZE KU RUGAMBA**
CABINET DU MINISTRE	**IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI**
OBJET : EXPOSE DES MOTIFS SUR LE PROJET DE LOI DU STATUT DES SOUS-OFFICIERS	**IMVO: INTUMBERO Y'IBWIRIZWA RYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA IBISONGEREZI VY'INTWAZANGABO**
Après la promulgation de la loi organique N°1/04 du 20 février 2017, le Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants trouve une impérieuse nécessité de réviser les Statuts des Sous-Officiers conformément à la loi organique en vigueur.	Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rimaze gutangazwa, Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba bwasanze ari ngombwa ko hasubirwamwo amategeko agenga Abasirikare b'Ibisongerezi vy'Intwazangabo, hisunzwe ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro ririko rirakurikizwa.
Les grandes modifications qui ont été apportées au Statut des Sous-Officiers sont les suivantes :	Ibikurubikuru vyahinduwe vyashizwe mu mategeko agenga Abasirikare b'Ibisongerezi ni ibi bikurikira :
1. L'actuelle loi régissant le Statut des Sous-Officiers parle des Candidats Sous-Officiers en formation, des Sous-Officiers d'active et des réserves. Le présent projet parle seulement des Sous-Officiers d'active (article 2 du projet de Statut). Les Candidats Sous-Officiers en formation et les Réservistes seront régis par des textes spécifiques (cfr article 68,72& 117 de la loi Organique pour le recrutement et les réservistes).	1. Ibwirizwa rihari ubu rigenga Abasirikare b'ibisongerezi rivuga ivyerekeye Abasirikare bari mu nyigisho z'ukwitegurira kuba Ibisongerezi, Abasirikare b'ibisongerezi bari mu kazi n'Abasirikare batari mu kazi bashobora gutumwako gufasha. Iyi nteguro y'ibwirizwa ivuga gusa ku vyerekeye Abasirikare b'Ibisongerezi bari mu kazi (ingingo ya 2 y'integuro y'ibwirizwa ryerekeye amategeko agenga Abasirikare b'ibisongerezi). Abasirikare bari mu nyigisho z'ukwitegurira kuba Ibisongerezi n'abatari mu kazi bashobora gutumwako gufasha bagengwa n'amategeko avyerekeye (ingingo

	ya 68, iya 72 n'iya 117 z'Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro mu bijanye n'ukwinjiza abantu mu gisirikare n'ibijanye n'abasirikare batari mu kazi bashobora gutumwako gufasha).
2. Pour être admis Sous-Officiers de la Force de Défense Nationale du Burundi, il faut avoir réussi la formation de base comprenant un stage (article 3 du projet de statut). Actuellement, la qualité de Sous-Officier s'étend jusqu'aux candidats Sous-Officiers et Réservistes et ainsi sont régis par le statut des Sous-Officiers en activité (cfr art 2 à 4).	2. Kugira abasirikare b'ibisongerezi bemererwe kwinjira mu Rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bategerezwa kuba baramenye inyigisho z'intango harimwo n'inyigisho z'ukwimenyereza akazi (ingingo ya 3 y'iyi nteguro y'ibwirizwa). Muri iki gihe, ukwitwa Umusirikare w'igisongerezi bivugwa no ku bipfuza kuba ibisongerezi hamwe n'abarindiriye kuba ibisongerezi hanyuma rero bakaba bagengwa n'amategeko agenga Abasirikare b'ibisongerezi bari mu kazi (ingingo ziva ku ya 2 gushika ku ya 4).
3. Pour professionnaliser la gestion des carrières, le projet de statut n'admet pas qu'un Militaire de Rang accède à la catégorie des Sous-Officiers. Dans le statut actuel, un Militaire de Rang peut accéder à la catégorie des Sous-Officiers sur appréciation du commandement (cfr art 4).	3. Kugira ivyerekeye umwuga w'Igisirikare bitunganywe neza, integuro y'ibwirizwa ryerekeye amategeko agenga Abasirikare b'Ibisongerezi ntitegekanya ko Umusirikare mutoyi yinjira mu mugwi w'Abasirikare b'ibisongerezi. Mw'ibwirizwa rihasanzwe, Umusirikare mutoyi yashobora kuja mu mugwi w' Abasirikare b'ibisongerezi abatwara Igisirikare babonye ko bibereye (ingingo ya 4 y'ibwirizwa rihasanzwe).
4. Pour des raisons de service, le projet de statut n'accorde pas le congé d'intérêt public aux Sous-Officiers (cfr art 7). L'actuel statut lui confère ce congé. (cfr art 8).	4. Ku mvo z'akazi, iyi nteguro ntiha Abasirikare b'ibisongerezi akaruhuko ko kuja kurangura ayandi mabanga y'igihugu (ingingo ya 7). Ibwirizwa rihasanzwe riraha Abasirikare b'Ibisongerezi ako karuhuko (ingingo ya 8 y'ibwirizwa rihasanzwe).
5. Le projet de statut accorde une allocation de décès de douze mois de salaire net pour soutenir la famille éprouvée (Cfr Art 12).	5. Iyi nteguro y'ibwirizwa irategekanya amafaranga ahabwa abasigwa angana n'umushahara w'amezi icumi n'abiri mu ntumbero yo gushigikira umuryango wabuze (ingingo ya 12).
6. Le projet de statut interdit aux Sous-Officiers de s'associer au groupes terroristes, mercenaires et d'organiser ou prendre part aux	6. Iyi nteguro y'ibwirizwa irabuza ko abasirikare b'ibisongerezi biyunga n'imigwi y'iterabwoba, abarwanyi b'abacangero no gutunganya

activités visant à provoquer une mutinerie ou grève (cfr art 17 litera b) et d)). L'actuel statut est muet.	canke kugira uruhara mu bikorwa bifise intumbero yo gutera imigumuko canke yegereyegere (ingingo ya 17 akarongo ka b) n'aka d)). Ibwirizwa rihasanzwe ntaco ribivugako.
7. Pour renforcer l'éthique militaire et la discipline, professionnaliser la gestion des carrières et renforcer l'esprit patriotique, le projet de statut n'autorise pas le mariage inter-catégorie, le mariage avec une personne de nationalité étrangère et le mariage avant deux ans de prestation dans une unité (art 17 litera i), j) et k)). L'actuel statut est muet en la matière.	7. Mu gukomeza akarangamutima mu bijanye n'igisirikare hamwe n'inyifato mu kazi, gutuma umwuga w'Igisirikare utunganywa neza hamwe no gutsimbataza ingendo y'ugukunda igihugu, iyi nteguro y'ibwirizwa ntirekurira Umusirikare w'Igisongerezi kugira ubugeni n'umusirikare wo mu rwego rw'ukwivuna abansi canke n'uwuri mu rwego rujejwe umutekano kiretse iyo umwe muri abo yemeye kuva mu rwego arimwo, kugira ubugeni n'umuntu afise ubwenegihugu bw'ikindi gihugu no kugira ubugeni, gutwaza canke gutwara inda ataramara imyaka ibiri mu kazi mu mugwi arimwo (ingingo ya 17 akarongo ka i), j) n'aka k)). Ibwirizwa rihasanzwe ntaco ribivugako.
8. Pour une notation objective, le projet de statut ordonne que si la mutation intervient au moins à six mois de prestation dans une unité, il incombe à l'unité d'origine de procéder à sa notation (cfr art 19). Le Sous-Officier en position de détachement doit transmettre annuellement son bulletin de notation à l'institution d'origine pour exploitation administrative et effets y afférents (Cfr art 21 paragraphe 2). L'actuel statut est muet en la matière.	8. Kugira hatangwe amanota ata guhengama, iyi nteguro y'ibwirizwa ishinga ko iyo Umusirikare w'Igisongerezi ahinduriwe umugwi yahora akoreramwo n'imiburiburi awumazemwo amezi atandatu, uwo mugwi ni wo uca umuha amanota (ingingo ya 19). Umusirikare w'Igisongerezi yashinzwe ayandi mabanga atari ay'Igisirikare aja ararungika ku mwaka ku mwaka mu rwego yavuyemwo ifishi y'amanota yo ku kazi yaronse kugira ruyikoreshe mu vyerekeye akazi n'uturusho bijanye (ingingo ya 21 agahimba ka 2). Ibwirizwa rihasanzwe nta co ribivugako.
9. L'actuel statut met devant un conseil de discipline, un Sous-Officier qui obtient la mention INSUFFISANT une fois et deux fois de suite ASSEZ BON (cfr art 25). Le projet de statut considère uniquement la mention INSUFFISANT deux fois de suite car l'appréciation du Sous-Officier qui commence	9. Ibwirizwa rihasanzwe ritegekanya ko Umusirikare w'igisongerezi aronse amanota MABI CANE rimwe n'incuro zibiri zikurikirana amanota ADASHEMEYE ashirwa imbere y'Umugwi ujejwe inyifato mu kazi (ingingo ya 25). Iyi nteguro y'ibwirizwa ifatira gusa ku manota MABI CANE kabiri kikurikiranya kuko

sa profession débute par la mention ASSEZ BON (cfr art 23).	Umusirikare w'Igisongerezi atanguye akazi ahera kuronka amanota ADASHEMEYE (ingingo ya 23).
10. Pour professionnaliser la gestion des carrières et corriger la pyramide des grades, les délais d'avancement au grade supérieur ont été revus (cfr art 27 du projet de statut et l'art 30 de l'actuel statut).	10. Mu ntumbero yo gutuma ivyerekeye umwuga w'Igisirikare utunganywa neza no gukosora ubusumbasumbane bw'amagarade, ibiringo Umusirikare w'Igisongerezi amara kugira aje kw'igarade rikurikira vyarasubiwemwo (ingingo ya 27 y'integuro y'ibwirizwa n'ingingo ya 30 y'Ibwirizwa rihasanzwe).
11. En plus des primes et indemnités prévues par le Statut actuel (Cfr Art 42), le projet de Statut prévoit que le Sous-Officier pourra aussi bénéficier des primes de formateur et des indemnités de réforme (Cfr Art 36 literas h) et i)).	11. Uretse —— udushirukabute n'uturusho butegekanijwe n'ibwirizwa rihari (ingingo ya 42), iyi nteguro y'ibwirizwa rishasha irategekanya agashirukabute gahabwa abigisha abandi n'akarusho gahabwa uwukukurutse kubera atagishoboye akazi (Ingingo ya 36 akarongo ka h) n'aka i)).
12. Le projet de statut parle de la profession alors que l'actuel statut parle de la carrière (cfr Chap VII). La profession du Sous-Officier commence le jour de sa nomination au grade de Sergent (cfr art 37 du projet de statut) tandis que la carrière commence le jour du recrutement (art 82 de la loi organique).	12. Iyi nteguro y'ibwirizwa ivuga ibijanye n'umwuga mu gihe ibwirizwa rihasanzwe rivuga ibijanye n'akazi (Igice ca VII). Umwuga w'Umusirikare w'Igisongerezi utangura kuva umusi aronkeyeko ipete rya Sereja (ingingo ya 37 y'iyi nteguro y'ibwirizwa) mu gihe akazi k'Umusirikare w'Igisongerezi gatangura kuva umusi yinjiriyeko mu kazi (ingingo ya 82 y'ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro).
13. En vue d'assainir la gestion administrative, le projet de statut dispose que la mise en disponibilité pour convenance personnelle est demandé une seule fois et sa durée est d'un an à six ans au maximum (art 41). L'actuel statut ne détermine pas les conditions d'octroi de cette mise en disponibilité (cfr art 51 litera d)).	13. Mu ntumbero yo gutunganya neza ibijanye n'intwaro, iyi nteguro y'ibwirizwa itegekanya ko Umusirikare w'Igisongerezi asaba guhagarika akazi bimuvuyeko rimwe gusa kandi ikiringo cavyo kikava ku mwaka umwe gushika ku myaka itarenga itandatu (ingingo ya 41). Ibwirizwa rihasanzwe ntiritomora ingene urwo ruhusha rutangwa (ingingo ya 51 akarongo ka d)).
14. En vue d'avoir des Sous-Officiers disciplinés digne de leur rang, un Sous-Officier qui totalise 40 Jrs Prison Militaire (PM) dans une année ou 90 Jrs PM dans sa profession doit comparaitre devant le conseil de discipline pour révocation	14. Mu ntumbero yo kuronka Abasirikare b'Ibisongerezi bigenza neza, batera iteka urwego barimwo, Umusirikare w'Igisongerezi akwije imisi 40 y'agasho mu mwaka canke imisi 90 mu kiringo cose

ou renvoi (cfr Art 48 du projet de statut). L'actuel statut est muet.	amara mu kazi ategerezwa kurenguka imbere y'umugwi ujejwe inyifato mu kazi kugira yirukanwe burundu mu rwego canke mu gisata akoreramwo (ingingo ya 48 y'iyi nteguro y'ibwirizwa). Ibwirizwa rihasanzwe nta co ribivugako.
15. En vue de soutenir un membre de la force de Défense Nationale du Burundi poursuivi par la justice pour des faits découlant de l'exercice normale de ses fonctions, le projet accorde au Sous-Officier le droit d'avoir une assistance juridique et judiciaire (Cfr art 50 paragraphe 1).	15. Mu ntumbero yo gushigikira umusirikare w'igisongerezi ariko arakurikiranwa n'ubutungane canke mu gihe akorewe icaha ariko ararangura imirimo ashinzwe arafise uburenganzira bw'ugufashwa mu vyerekeye amategeko n'ukuronswa uwumuburanira (ingingo ya 50 y'iyi nteguro y'ibwirizwa, agahimba ka 1).
Le projet de statut accorde également une réparation des dommages causés par les tiers pour le seul motif que le Sous-Officier est membre de la Force de Défense Nationale du Burundi (Cfr art 50 paragraphe 2).	Muri iyo ntumbero nyene, Reta iraha indishi Umusirikare w'Igisongerezi ku vyo yononewe n'abandi ahorwa gusa ko ari umusirikare w'igihugu canke igihe ariko ararangura imirimo ashinzwe, mu gihe uwakoze icaha atamenyekanye (ingingo ya 50 y'iyi nteguro y'ibwirizwa, agahimba ka 2).
16. En vue de renforcer la discipline, un Sous-Officier en situation de détachement ou de transfert qui encourt une sanction entrainant la rupture de son détachement ou transfert doit comparaitre devant le conseil discipline (cfr art 51 du projet de statut). L'actuel statut est muet.	16. Muntumbero yo gukomeza inyifato nziza mu gisirikare, umusirikare w'igisongerezi yashinzwe ayandi mabanga atari ay'igisirikare canke yahinduriwe aho yahora akora aronse igihano kijanye n'inyifato mu kazi bigatuma ivyo gushingwa ayandi mabanga canke uguhindurirwa aho akora bihagarara ategerezwa kurenguka imbere y'umugwi ujejwe inyifato mu kazi (ingingo ya 51 y'iyi nteguro y'ibwirizwa). Ibwirizwa rihasanzwe nta co ribivugako.
17. Le projet de statut n'accorde l'allocation de fin de carrière qu'aux Sous-Officiers qui partent en retraite par limite d'âge statutaire (cfr art 52). Le statut actuel accorde aussi cette allocation aux décédés étant en activité, aux réformés et à ceux qui partent en retraite anticipée (cfr art 58).	17. Iyi nteguro y'ibwirizwa iha gusa Abasirikare b'Ibisongerezi amafaranga y'impamba batekererwa igihe baba bakwije imyaka itegekanijwe (ingingo ya 52). Ibwirizwa rihasanzwe riraha kandi ayo mafaranga Abasirikare b'Ibisongerezi bapfuye bakiri mu kazi, abasezerewe kubera batagishoboye akazi, n'abakukurutse batarakwiza ikiringo gitegekanijwe (ingingo ya 58).

18. Pour renforcer l'esprit patriotique, le projet de statut prévoit le renvoi, la révocation du Sous-Officier qui acquiert la double nationalité (cfr art 55 litera b). Le statut actuel est muet.	18. Kugira hatsimbatazwe umutima wo gukunda igihugu, iyi nteguro y'ibwirizwa itegekanya kwirukana mu kazi Umusirikare w'Igisongerezi aronse ubwenegihugu bugira kabiri (ingingo ya 55 akarongo b)). Ibwirizwa rihasanzwe ntaco ribivugako.
19. En vue de garantir la survie des ayants droits dont le Sous-Officier est décédé avant d'atteindre quinze ans de service, projet de statut dispose que l'Etat verse le reste des cotisations pour pouvoir bénéficier la rente des survivants (cfr art 59).	19. Muntumbero yo gushigikira abasirwa b'umusirikare w'igisongerezi apfuye atarakwiza imyaka icumi n'itanu y'akazi, Reta iratanga mw'Ishirahamwe ritegekaniriza kazoza abakozi intererano zari zisigaye (ingingo ya 59).